Site : https://ligue-iteka.bi
Email : communication@ligue-iteka.bi
WhatsApp : +256701178261
X : @LigueIteka

Site : https://kingumurundifreedom.org
Email :contact@kingumurundifreedom.org
WhatsApp : +33758279294
X : @KUF_ASBL

# Akamo nomero 1

**Uburenganzira bw'uguhunguka ku bushake bw'impunzi z'abanyakongo bubwirizwa kubahirizwa na Reta y'uBurundi hamwe na HCR.**

Mu ntumbero y'umugambi **UMUSEKE**,amashirahamwe aharanira agateka ka zina muntu Ligue Iteka hamwe na Kingi Umurundi Freedom yarakwirikiranye yongera aratohoza uko abanyakongo bahunze intambara yo mu buseruko bwa Kongo inyuma yaho AFC-M23 na TWIGWANEHO bafatiye igisagara ca Uvira. Ugukwirikirana umurindi w'impunzi nyinshi hamwe n'imigwi itandukanye, y'abatari abarwanyi n'abanywanyi b'imigwi itandukanye yitwaje ibirwanisho vyaragoranye mu bufasha bw'ibanze bwategerezwa kuronswa izo mpunzi ku ruhande rwa Reta y'uBurundi n'abayifasha.Ukugabangana izo mpunzi mu birindiro bitandukanye,ibigo canke amakambi y'igisirikare cane cane abagize imigwi igwana vyarateye amakenga kandi bisaba gukwirikiranirwa hagufi.

Kuva kuwa 9 Kigarama 2025, ikirindiro ca Busumo kiri ku mutumba Busumo,muri zone Kayongozi,komine Ruyigi,intara ya Buhumuza yonyene yakiriye hafi abanyakongo ibihumbi mirongo irindwi kandi n'abandi babandanya bashika.
Amashirahamwe yacu arashima ukwitanga kwa Reta y'uBurundi hamwe n'abayifasha nka ONPRA, HCR n'umurwi utabara imbabare « Croix Rouge Burundi », SOPRAD-CARITAS Ruyigi, twihweje ubufasha bwambere bwahawe izo mpunzi z'abanyakongo n'aho ingorane zitandukanye zikihari.

Mu bisanzwe,amashirahamwe yacu yaranzwe na bimwe bimwe twihweje mu kujana impunzi ziva mu bigo zashikiyemwo zija mu kirindiro ca Busumo n'ibindi birindiro aho impunzi zimwe zimwe zurijwe ingendeshwa ku nguvu mugihe zashaka gusubira iwabo.Twomenyesha ko gushika uyumusi,babandanya babisabira mu kirindiro ca Busumo aho basanzwe bajanywe ariko bikaba imfagusa. Inyifato zidasanzwe ziramaze kuvugwa aho umupolisi yakomerekejwe cane mu kirindiro ca Busumo bigatuma buramatari w'intara ya Buhumuza aza kugarukana ituze.

Tumaze kubona ivyo bintu biteye agahinda,amashirahamwe yacu ashaka gutaka Reta y'uBurundi hamwe n'amakungu ko itegeko ryatanzwe na Reta y'uBurundi atari inyishu ku muntu asaba uburenganzira bwiwe ntayegayezwa. Uko kubankira gusubira iwabo ku bushake bwabo biboneka nk'ihonyangwa ku mugaragaro ry'amategeko akingira impunzi yashizweho n'amasezerano y'iGeneve yo kuwa

PROGRAMME UMUSEKE

28Mukakaro 1951 n'ihinyanyurwa ryayo ryo kuwa 31 Nzero 1967 agenga impunzi hamwe n'ayandi mategeko mpuzamakungu akoreshwa,rivuga mu gace karyo(1,C.1)ko ugukingira umuntu guhagarara « Iyo ku bushake bwiwe yisabiye gusubira gukingirwa n'igihugu afisemwo ubwenegihugu ».
Amasezerano y'i Geneve yo mu 1951 yashizweko umukono n'uBurundi araha uburenganzira bwo gutahuka ku bushake bw'impunzi mu gihugu cabo c'amavukiro mu gace kambere kayo hamwe n'uburenganzira bwo kwishira no kwizana(agace,26).

Twihweje ivy vyose,umuhari Ligue Iteka hamwe na King Umurundi Fredoom basaba :

**Kuri Reta y'uBurundi na HCR**

- Gutangura ibiganiro hagati y'abarongozi b'ivyo bihugu bibiri kukuntu bohungura izo mpunzi zishaka gusubira iwabo.
- Kunyarutsa ico gikorwa kugirango borohereze impunzi zose z'abanyakongo bashaka gusubira mu gihugu cabo mu kubahiriza amasezerano y'i Geneve,ayandi mategeko mpuzamakungu bijanye n'ibwirizwa shingiro ry'uBurundi.
- Kubandanya gufasha impunzi ziri ku butaka bw'uBurundi muri rusangi hamwe n'impunzi z'abanyakongo nshasha zikeneye cane ubufasha.

**Kubafasha Reta y'uBurundi muvyo ubuhinga hamwe n'uburyo harimwo NU, UE n'Ubuserukizi bw'ibihugu buri mu Burundi**

- Gufasha Reta y'u Burundi hamwe n'abayunganira kugira bashobore gushika kuvyo bategerezwa mu gukingira no kwitaho impunzi.
- Kubahiriza agateka k'impunzi cane cane inyishu yihuta kandi ihumuriza kubasaba koroherezwa mu gutahuka mu gihugu c'amavukiro ku bugombe bwabo.

***<u>Kubwo umugambi UMUSEKE</u>***

**Anschaire NIKOYAGIZE** — **Vianney NIZIGIYIMANA**

*Umukuru w'umuhari Ligue Iteka*
*+256701178261*

*Umukuru waKing Umurundi Freedoom*
*+ 33 7 58 27 92 94*

PROGRAMME UMUSEKE